# REPUBURIKA Y'UBURUNDI

## IBIRO VY'UMUKURU W'IGIHUGU

Tel: +257 77 535 000
E-mail: bic@kwantare.gov.bi
Site web: www.kwantare.gov.bi

**IBIRO BIJEJWE KUMENYESHA AMAKURU**
Facebook: /PresidenceBurundi
Twitter: @KwaNtare

# ITANGAZO KU BIMENYESHAMAKURU

Kuri uyu musi wa mbere, igenekerezo rya 18 Nzero 2021, Nyenicubahiro Varisito NDAYISHIMIYE yaganiriye kw'iterefone Umukuru w'Igihugu ca Kenya, Nyenicubahiro Uhuru KENYATTA, bakaba bamaze umwanya mu kiyago cerekeye imigenderanire myiza iri hagati y'ibihugu vyompi, n'ibijanye n'iterambere riciye mu kwitwararika ivy'ubudandaji.

Prezida Uhuru KENYATTA yamenyesheje Prezida Varisito NDAYISHIMIYE ko yari yaripfuje kugendera Uburundi muri ino misi ariko ko icavyononye ari ikiza ca Korona Virusi. Yamwemereye ko akanya nikamukundira azosimbira mu Burundi kumugendera.

Mu kiyago bagiraniye, baboneyeho akaryo ko kwipfurizanya umwaka mwiza w'2021, ndetse bongera bipfuriza umwaka mwiza Abakenya n'Abarundi.

*Bigiriwe i Bujumbura, igenekereo rya 18 Nzero 2021.*

**Amb. Willy Nyamitwe**
*Umukuru w'Ibiro bijejwe Amakuru*